Washington State Department of Social & Health Services
Transforming lives

Inyandiko ya DSHS y' Ibikorwa vy' Igengaho Mumategeko Kumakuru y' Ukwivuzwa k' Umukiriya

DSHS Notice of Privacy Practices for Client Medical Information

Bikozwe muri Nyakanga 23, 2013

DSHS itegerezwa kukumenyesha uburenganzira bw' Ukwimukana no Gushinganwa kw' Amakuru yawe y' Amagara (HIPAA). (45 CFR 164.520). DSHS ni "ishirahamwe ry' izegwa ngirakamaro." Si imigambi yose ya DSHS igenderwa musi y' amategeko ya HIPAA, gusa imigambi yashizwe k' urutonde nkakarorero Ibigize Ibungabunga ry' Amagara kur' ubuga rwa interineti ya DSHS nivyo bigenderwa musi y' amategeko ya HIPAA. Rino tangazo rikurikizwa gusa kubakiriya bafashwa n' iyomigambi ngenderwako. Rino tangazo ntirikuzanira ingarukambi kumahirwe y' infashanyo za DSHS.

Rino tangazo risigura ukuntu amakuru akwerekeye y' ukuvurwa ashobora gukoreshwa hamwe no gutangwa kandi n' ukuntu ushobora kuronka aya makuru. Urasabga kurisuzuma witonze

PHI risigura iki?

Amakuru y' Amagara Atekanijwe (PHI) n' amakuru y' ivurwa ry' umukiriya abikwa n' ibisata vya DSHS agenderwa kumategeko ya HIPAA. PHI n' amakuru y' uburwayi agufitiye isano kuvyerekeye ubumerere canke indwara z' amagara yawe, ibungabunga ry' amagara uronka, canke amafaranga atangwa kw' ibungabunga ry' amagara yawe. DSHS itegerezwa gukorera umutekano wa PHI yawe biciye mumategeko.

DSHS ifise PHI ayahe anyerekeye?

Mukudufasha kugira tugukorere serivisi, ushobora gukenera kuduha amakuru y' indwara canke y' amagara harimwo aho uba, amakuru y' umutungo canke amakuru y' abitswe yerekeye indwara. Kandi dushobora kuronka PHI akwerekeye avuye kuzindi nkomoko zikenewe mukugukorera serivisi canke kuriha ibungabunga ryawe.

Ninde ashobora kubona PHI yanje?

Tubona gusa urugero ruto cane rwa PHI dukeneye mugukora akazi kacu. Dushobora guhanahana PHI n' iyindi migambi canke abandi bantu mugihe bahabga uburenganzira n' amategeko canke ubahaye uburenganzira. Nkakarorero, PHI yawe ashobora gutangwa kuri no gukoreshwa n' Ubuyobozi bw' Ibungabunga ry' Amagara canke abandi batanga ibungabunga ry' amagara muguhuza no kuriha ibungabungwa ry' amagara yawe. Dushobora guhanahana PHI yakahise, agezweho, canke y' akazoza.

DSHS ihanahana PHI nyabaki?

Duhanahana PHI yawe gusa kubandi bayakeneye kugira bakore ibikorwa vyabo kandi nkuko bihabga uburenganzira n' amategeko. Ushobora kubaza urutonde rw' abamaze kubona PHI yawe kumigambi imwe imwe.

Nigihe nyabaki DSHS ihanahana PHI?

Duhanahana PHI mugihe co "gukenera kumenya ishingiro" muguhuza serivisi hamwe no kuvurwa, kuriha, hamwe n' ibikorwa vyerekeye ibungabungwa ry' amagara. Nk' akarorero, dushobora guhanahana amakuru mugufata ingingo mugihe:

- Imiti yo kuvura indwara itegerezwa gutangwa.
- Dushobora kuriha ama serivisi n' abatanga ibungabunga ry' amagara.
- Ufise amahirwe yo mumigambi ya DSHS.
- Ibungabunga uhabga n' abaritanga rihura n' amategeko ngenderwako.

Mbe noshobora kubona PHI yanje?

Urashobora kubona PHI yawe. Muguhe ubisavye, uzohabga ishusho rya PHI yawe. DSHS ishobora kukurihisha amafaranga y' amashusho.

Mbe noshobora guhindura PHI yanje?

Mugihe wibaza ko PHI yawe arimwo amakosa, ushobora kudusaba guhindura canke kongeramo PHI mashasha Ushobora kandi kudusaba kurungika ivyahinduwe ivyarivyo vyose kubandi bafise ishusho za PHI yawe.

Niki gishobora kuba mugihe uwundi muntu akeneye PHI yanje?

Ushobora gusabga gushirako umukono kw' ifishi mukutumenyesha guhanahana PHI yawe mugihe:

- Dukeneye uburenganzira bgawe mugutanga serivisi canke ibungabungwa;
- Ushaka ko turungika PHI yawe k' ubundi buyobozi canke uwutanga infashanyo kumpamvu zidahabga uburenganzira n' amategeko ata burenganzira bgawe;
- Ushaka ko PHI irungikwa k' uwundi muntu, nkakarorero umuburanire wawe, umuntu wo mumuryango canke uwundi aguserukira.

Uburenganzira bgo guhanahana PHI yawe bumeze neza gushika kw' igenekerezo ry' impera wanditse kw' ifishi. Dushobora guhanahana PHI washize kurutonde gusa. Urashobora guhagarika canke guhindura ubu burenganzira mu kwandikira DSHS.

Inyandiko ya DSHS y' Ibikorwa vy' Igengaho Mumategeko Kumakuru y' Ukwivuzwa k' Umukiriya
Bikozwe muri Nyakanga 23, 2013

Mbe DSHS ishobora guhanahana PHI yanje ata burenganzira ndayihaye?

DSHS ishobora guhanahana PHI yawe ata burenganzira utanze kuburorero bumwe bumwe. Bivanye n' amategeko, dushobora kuba, dusabge canke duhawe uburenganzira bgo guhanahana PHI yawe. Uburorero bumwe bumwe harimwo ugukenera gu:

- Tanga raporo y' agahohotero kabaye k' umwana canke uwukuze canke ukwirengagiza Infashanyo zo Gukingira Umwana, igipolisi canke ubundi buyobozi.
- Tanga ivyanditswe musi y' ingingo y' ubucamanza.
- Tanga PHI k' ubundi buyozi busuzuma ibikorwa vya DSHS.
- Hanahana PHI n' ubuyobozi bufise uburenganzira bw' amategeko hamwe no kugenzura inyubakwa z' amavuriro, nk' ubuforomokazi bw' imuhira hamwe n' ibitaro.
- Hanahana PHI n' abatanga serivisi canke ubundi buyobozi mu kukubungabunga canke bukeneye kugena niyaba ufise amahirwe yo guhabga serivisi canke ubumaro.
- Tanga PHI ku barezi c' anke abavyeyi babana babakiri bato.
- Koresha PHI kubushakashatsi.
- Koresha canke gutanga PHI mugihe c' imigambi y' ingorane zihutirwa canke kumvo z' ubutabazi bg' ikiza.

Mbe ndashobora gushira imbibe muguhanahana PHI yanje kandi n' ukuntu ndayahabga?

Urashobora kudusaba gushirako imbibe zo gukoresha no guhanahana PHI yawe ariko ntidutegekwa kuvyemera. Ushobora kandi kudusaba kukurungikira PHI yawe mumiterere itandukanye canke kuri aderesi zitandukanye.

Bisigura iki Ivunwa ry' amasezerano?

Ivunwa ry' amasezerano ni gukoresha canke gusohora PHI yawe bidahawe amategeko musi ya HIPAA, harimwo ugutakaza bivanye n' ubusuma, gukora amakosa canke kw' injira muri sistemu ya ordinateri ataruhusha bifitiwe. Tuzokumenyesha biciye kubutumiranire mugihe hari ivunwa ry' amasezerano kuri PHI yawe musi ya HIPAA.

Noshobora guhabga ishusho ryiyi nyandiko?

Ego. Iyi nyandiko ni yawe yo kugumana. Mugihe uronse rino tangazo biciye muri ordinateri, ushobora gusaba ishusho ry' urupapuro kandi tuzoguha imwe.

Niki mugihe Ibikorwa vy' Igengako vya PHI bihindutse?

Dusabga gukurikiza iyi nyandiko. Dufise uburenganzira bgo guhindura iyi nyandiko. Mugihe amategeko canke ibikorwa vyacu vy' igengako bihindutse, tuzokurungikira amakuru yerekeye inyandiko nshasha kandi iyo ushobora kuyisanga canke tuyigutumire.

Ninde nshobora kuganira nawe mugihe nfise ibibazo vyerekeye iyi nyandiko canke uburenganzira bga PHI yanje?

Mugihe ufise ibibazo ivyarivyo vyose vyerekeye iyi nyandiko, ushobora kuganira n' Umukozi w' Amategeko wa DSHS kuri DSHSPrivacyOfficer@dshs.wa.gov canke (360) 902-8278.

Nigute nshobora gutanga raporo y' ubugizi bga nabi m' uburenganzira bg' ibanga rya PHI yanje?

Mugihe wemera ko uburenganzira bg' ibanga rya PHI yawe bgakorewe ubugizi bga nabi ushobora gusohora ibirego kuri:

DSHS Privacy Officer, Department of Social and Health Services, PO Box 45115, Olympia WA 98504-5115 canke imeri kuri DSHSPrivacyOfficer@dshs.wa.gov. Mugihe utanze ikirego, DSHS ntizoshobora guhindura canke guhagarika infashanyo zawe kandi ntitegerezwa kukwihora.

CANKE

Tanga ikirego cawe kur' ubuga rwa online kuri: https://ocrportal.hhs.gov/ocr/cp/complaint_frontpage.jsf canke m' ukwandikira kuri: Office for Civil Rights, US Department of Health and Human Services, 200 Independence Avenue, S.W., Room 509F HHH Bldg., Washington, D.C. 20201, telefone (800) 368-1019. Ibirego ivyarivyo vyose bitumwa kuri DHHS bitegerezwa gukorwa mukiringo c' imisi 180 kuva igihe c'ihamagarirwa ry' ubugizi bg'anabi mumategeko.

Washington State Department of Social & Health Services
Transforming lives

INYANDIKO YA DSHS Y' IBIKORWA VY' INGENGAHO VY' AMATEGEKO KUMAKURU Y' IBANGA
Bikozwe muri Nyakanga 23, 2013

Unkwemeza

Acknowledgement

(Bikenerwa mugihe DSHS itanze igenwa ry' ivurwa mw' ibungabunga ry' amagara)

IZINA RY' UMUKIRIYA	ITARIKI Y' AMAVUKIRO

Nahawe ishusho ry' Inyandiko y' Amategeko ya DSHS kandi naronse amahirwe yo kubaza ibibazo vyerekeye ukuntu DSHS izokoresha no guhanahana Amakuru y' Amagara y' Umntu Bwite.

UMUKONO W' UMUKIRIYA CANKE UMUSERUKIZI WIWE	ITARIKI

FOR DSHS USE ONLY (BIJEJWE GUKORWA NA DSHS GUSA)

To be completed if <u>unable</u> to obtain signature of client or personal representative.

Describe efforts made to have the client acknowledge receipt of the Notice of Privacy Practices (NPP):

Describe reason why acknowledgement was not obtained:

STAFF MEMBER'S NAME AND TITLE (PLEASE PRINT)	ADMINISTRATION/DIVISION

STAFF'S SIGNATURE	DATE